# Uwo wese azokwadukana gishasha muri iri dini ryacu, kitari mu vyo twigishije, azogisubizwa, ntikizokwakirwa namba

Mu vyakiriwe n'Umuvyeyi w'abemeramana, Nyina wa Abdullahi, Aisha (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwo wese azokwadukana gishasha muri iri dini ryacu, kitari mu vyo twigishije, azogisubizwa, ntikizokwakirwa namba". Mu vyashikirijwe na Muslimu hakoreshejwe aya majambo: "Uwo wese azokora igikorwa kitari mu vyo twigishije, azogisubizwa, ntikizokwakirwa namba".
[صحيح] [رواه البخاري ومسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aratomora ko uwadukanye bishasha mw'idini canke uwukoze igikorwa kitagira icemezo kicemeza kiri mu Gitabu canke mu nyigisho n'imigenzo vy'intumwa, kizosubizwa kuri nyeneco kitemewe n'Imana Allah.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee